UBUNYEMPWEMU BW'UKURI UKO WORONKA IVYIZA VY'IMANA MU BUZIMA BWAWE

Igice ca 3

Intangamarara: Ni kuki abafata ingingo yo gukizwa ari benshi...

...ariko abigishwa bakaba bake?

Itegeko ry'ico tudakwiye gukora: « Ntimushushanywe n'ivy' iki gihe,... »

« Ntimushushanywe »

- Imero mugirwa
- Umuvugire wa rubwiriza
- Umwanya wa kubu

Insiguro y'uwo murongo: « Hagarika kwemerera isi n'ivyiyumviro binyuranye n'ukuri kw'Imana kuguhindura »

Ugushira mu ngiro: Tubwirizwa **KWITANDUKANYA** n'ivyo isi iha agaciro ariko bitabereye.

> « 15 Ntimugakunde isi, cank' ibiri mw isi. Umuntu ni yakunda isi, ugukunda Data wa twese ntikuzoba kuri muri we. 16 Kukw ikiri mw isi cose ar' ivyifuzo vy'umubiri, n'ivyifuzo vy'amaso, n'ubgibone bg'ubu bugingo, bitanduruka kuri Data wa twese, ariko vyanduruka mw isi. 17 Kand' isi irikw irashirana n'ivyifuzo vyayo, arik' ukora ivy' Imana igomba yamah' ibihe bidashira. »
>
> 1 Yohana 2:15-17

Incamake: Uko isi yubatse irondera **KUDUKWEGAKWEGA** ngo idukure mu

Rukundo rwa Kristo idukwegesheje **IBIHIMBARO**, **UBUTUNZI**, n' **IBIBANZA VY'ICUBAHIRO**.

Copyright © 2026 by Chip Ingram and Living on the Edge

Itegeko ry'Ico twokora**:** *« … yamara muhinduke rwose, mugize imitima misha, »*

« muhinduke»

- Imero mugira(mu zindi ndimi ni imero mugirwa)
- Umuvugire wa rubwiriza
- Umwanya wa kubu

Insiguro y'uwo murongo

« Ariko mwemerere Imana ihindure uburyo mwiyumvira n'inyifato yanyu biciye mu gukorana na Mpwemu Yera n'imitima yanyu yose akanya ku kandi kugira ngo abahindure »

Ishirwa mu ngiro

Woba uriko uhindurwa n'**Isi** canke n' **IJAMBO RY'IMANA**?

Aramwishura, ati Vyanditswe ng' Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, arikw atungwa n'ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana.

Matayo 4:4

Tweho twese, ko tutitwikiriye mu maso, tukerekana nk'icirore ubgiza bg'Umwami, turahinduka, tugashushanywa n'iyo shusho, tukava mu bgiza tukaja mu bundi, nk'abahindurwa n'Umwami, ari we Mpwemu.

2 Ab'I korinto 3:18

Uburyo bwo guhinduka: « …yamara muhinduke rwose, mugize imitima misha(Ivyiyumviro bishasha.) »

- Uguhindura ivyiyumviro vyawe ni igikorwa kidusaba **KUGUMIZA UMUTIMA** ku ciyumviro dusanga mu Baroma 12:1.

Ab'ikorosayi 3:1-4

- Uguhindura ivyiyumviro vyawe kuzokwama ari **URUGAMBA**.

2 Ab'I Korinto 10:4-5

Copyright © 2026 by Chip Ingram and Living on the Edge

- Uguhindura ivyiyumviro vyawe ni igikorwa **NDENGAKAMERE** ca Mpwemu Yera.

Abaroma 8:5-6

Incamake

Uri ico **URYA**!!!

Ibintu vyogufasha « guhindura ivyiyumviro vyawe »

1. **KUMVA** Ijambo ry'Imana Abaroma 10:17

Nuk' ukwemera kuva ku kwumva, n'ukwumva kuzanwa n'ijambo rya Kristo.

2. **SOMA** Ijambo ry'Imana Ivyahishuriwe Yohana 1:3

Hahirwa usoma, hahirwa n'abumva amajambo y'uku kuvugishwa n'Imana, bakitondera ivyanditswe muri yo: kukw igihe kiri hafi.

3. **IGA** **Ijambo ry'Imana** 2 Timoteyo 2:15

Wame ugira umwete wo kwiha Imana nk'uwamaze kurama, umukozi atarinda guteterwa, aramiriza neza mw ijambo ry'ukuri.

4. **FATA KU MUTWE** Ijambo ry'Imana Zaburi 119:9,11

Umusore azokwezesha inzira yiwe iki?Azoyezesha kuyitondera nk'ukw ijambo ryawe rivuga.Nabitse ijambo ryawe mu mutima wanje Ngo noye kugucumurako.

5. **RIMBURA** kw'Ijambo ry'Imana Yosuwa 1:8

Copyright © 2026 by Chip Ingram and Living on the Edge

Ibiri mur' ico gitabo c'ivyagezwe ntuz' ubikure mu kanwa kawe; arik' uze wame ubirimbura ku murango no mw ijoro, kugira ng'ubone kwitondera ivyanditswemwo vyose; ni ho ivyawe bizogenda neza, ukagira amahirwe.

Igikoresho c'uguhinduka: Ubuhinga bwo gufata ingingo bwitwa "2PROAPT" mucongereza

Intumbero y'uguhinduka: « kugira ngo mumenye neza ivy' Imana igomba, ni vyo... »

Vyiza - bihimbaye, bibereye ijisho, bituma umuntu yumva ahagijwe.

Bishimwa - Ibintu Imana yemera natwe tukabishima

Bitunganye - Nk'uko integuro iri, tugakoresha ubushobozi bwacu bwose mu gushitsa intumbero y'Imana ku buzima bwacu

Ibibazo vyo gushira mu ngiro inyigisho ku giti c'umuntu:

1. Ni ikihe kintu nyamukuru ukuye mw'ubu butumwa?

2. Ni kuki ari abakirisu bake gusa bazi kandi bagendera ivyo Imana igomba nk'uko tubisanga mu Baroma 12:2?

3. Twese twama turiko turageragezwa, isi ishaka guhindura ubuzima bwacu ngo bube uko ishaka — ni mu kihe gice c'ubuzima wewe ubangamiwe gusumba ibindi? Ni igiki cama kigufasha kunesha ibigeragezo biza bitumbereye harya ufise intege nke?

4. Ni kubera iki « guhinduka mu vyiyumviro » ari nkenerwa cane? Guhinduka mu vyiyumviro no Kuronka ivyiza vy'Imana bifitaniye isano irihe?

Copyright © 2026 by Chip Ingram and Living on the Edge

5. Mbega hari ikintu canke umuntu Imana igusaba kubwira "Oya" kubera ariko canke kiriko kiratuma wishushanya n'isi? Hoba hariho ikintu Imana ishaka ko wemera kugira ngo ivyiyumviro vyawe bishobore guhindurwa, wongere ushobore kumenya ivyo Imana igomba no kugendera mu vyiza vyayo mu buzima bwawe?

Copyright © 2026 by Chip Ingram and Living on the Edge